www.kidworship.kr

# Samusoni

- Old Testament Ⅱ / 3rd story -



18Page

**Uwuvuga** Abisirayeli bakoze ibibi mu nyonga z'Uhoraho, Uhoraho abagabura mu maboko y'abafirisitiya imyaka myinshi. Umusi umwe, umumarayika w' Uhoraho abonekera inzu ya Manowa. Manowa yari umwisirayeli atari bwaronke ikibondo.

**Umumarayika** Uzoronka umwana w'umuhungu, ariko ntuzokwigere umumwa umushatsi. Uwo mwana azokura akize abisirayeli.

**Uwuvuga** Manowa n'umupfasoni wiwe baranezerwa cane. Haheze igihe gito, umugore wa Manowa avyara umwana w'umuhungu. Bamwita Samusoni. Samusoni akura ari umuhizi w'inkomezi. Uhoraho abana nawe aramuhezagira. Umushatsi wa Samusoni urakura uba muremure kandi abavyeyi biwe ntibigera bawumwa nk'uko umumarayika yabibasavye.

---



19Page

**Uwuvuga** Samusoni akura ari umunyankomezi zitangaje. Abafirisitiya baratinya Samusoni cane hamwe n'inkomezi ziwe. Samusoni yarakomeye cane ku buryo yashobora no gutabagura umugunza w'intambwe n'ibiganza vyiwe. Yarafashe kandi n'imbwebwe amajana atanu afatanya imirizo zibiri zibiri. Aca adomeka ku buyonga, azirekurira mu mirima y' abafirisitiya , zirayirimura.

Ariko abisirayeli kubera batinya inkwirikizi zivyo Samusoni akorera abafirisitiya, baramucakira bamubohesha imigozi ibiri misha ikomeye bamushikiriza abafirisitiya. Ariko inkomezi ziva k'Uhoraho zimuzako , ya migozi yose ikorokera hasi ubwo nyene.

**Samusoni** Uwu ni umubangabanga w' indogoba!

**Uwuvuga** Samusoni yabira wa mubangabanga w'indogoba awicisha abafirisitiya igihumbi. .

---




20Page

**Uwuvuga** Samusoni akunda umukobwa mwiza w'umufirisitiya yitwa. Delila Delila yari umugunge. Umusi umwe, Samusoni asinziriye, abatware b'abafirisitiya baza kuri Delila.


**Abarongozi** (Nta gicapo) Delila turabire ahava inkomezi zidasanzwe za Samusoni, Niwahamenya uze utubwire kugira ngo tuzoshobore kumufata, tuzokugira umutunzi.

ziwe zituruka.

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Kuva uwo musi Delila atangura gukora ibishoboka vyose kugira ngo ahendahende Samusoni amwereke iyo inkomezi. |
| Delilah | Samusoni! Mbarira ibanga ry' inkomezi zawe- zituruka he? |
| Uwuvuga | Ariko Samusoni ntiyabwira uwo mukobwa w'umufirisitiya iryo banga. |
| Samusoni | Uwoshaka kumenya aho inkomezi zanje ziri, yombohesha imigozi y' ubugwegwe itarigera yanikirwa. Aho niho noca ngira integer nke nk'umuntu asanzwe. |
| Uwuvuga | Avyumvise, Delila ararindira kugeza Samusoni asinziriye, hanyuma aca amubohesha ya migozi indwi y' ubugwegwe. |


21Page


| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Hanyuma yiha akaruru! |
| Delilah | Samusoni! Dukore iki? Abafirisitiya baje kugufata. |
| Uwuvuga | Samusoni ararandamuka acagagura ya migozi nk' umugozi w' impuzu. Inyuma y'ivyo Delila abandanya kwinginga Samusoni buri musi ngo amumenere iryo banga. |
| Samusoni | Uwombohesha imigozi mishasha itarakoreshwa na rimwe, noca ngira intege nke nk'abandi bose. |
| Samusoni | Hamwe wobohera ibitsibo ndwi vy'imishatsi yanje ku gitambara ugakwega noca ngira intege nke k'umuntu asanzwe. |
| Uwuvuga | Delila kuko atakindi yiyumvira atari amahera, yakoze ivyo Samusoni yamubariye vyose ariko Samusoni ntiyigera ahera inguvu. |
| | Amaze kubona ko Samusoni yamuhemukiye, Delila atangura gukarira Samusoni. |
| Delilah | Samusoni wewe uri umubeshi? Wovuge gute ko unkunda hanyuma ukambesha? Mbarira aho inkomezi zawe ziva! |


22Page

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Aruhishijwe n'uko Delila yaguma amwinginga. Samusoni arahava amumenera ibanga. |
| Samusoni | Delila, ndi umunyanazareti yihebeye Imana kuva akivuka. Inkomezi zanje ziva mu mushatsi. Hamwe umushatsi womvako inkomezi zoba zimvuyeko nazo. |
| Uwuvuga | Samusoni asinziriye, Delila amumwa umushatsi wose. Ni uko, inkomezi za Samusoni ziramuvako. |


134Page

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Abafirisitiya bafata Samusoni, baramuboha bumuterera mw'ibohero. Samusoni agerageza kwirwanira ngo yibohore ariko asanga afise inguvu nke cane gose. Imana yari yamaze kumuvako, isiga atagira ububasha canke inkomezi. Abafirisitiya bamunogora amaso kugira ngo ntazongere kubona kandi bamukoresha no gusekura ingano mw'ibohero. Ariko naho bari bamumoye, umushatsi wiwe utangura gukura. Abafirisitiya bari bafashe Samusoni bategura umusi mukuru wo kwigina intsinzi. |
| Umugabo 1 | Barahavuye barafata Samusoni!Amaso yiwe yaranogowe kandi ariko arasekura imbuto mw'ibohero. |
| Umugabo 2 | Uti ? Ni vyo? Iyo ni inkuru nziza! Ingo twigine! |
| Uwuvuga | Abafirisitia benshi bakoranira muri iyo ngoro kuraba no gushinyagurira Samusoni. |
| Umugabo 1 | Samusoni, mbega ko utatwereka inguvu zawe! Tunezereze!! . |
| Uwuvuga | Abantu babonye Samusoni atagira amaso baramushinyagurira banezerewe. |



24Page

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Samusoni asaba umuhungu yari iruhande rwiwe. |
| Samusoni | Nshira ahantu nshobora kumva inkingi zifashe iyi ngoro ! |
| Uwuvuga | Samusoni ahagarara hagati y'inkingi zifashe iyo ngoro. Ashira buri kuboko kwiwe ku nkingi hanyuma arasenga Uhoraho. |
| Samusoni | Uhoraho, ndakwinginze umpe inkomezi rindi rimwe kugira ngo nihore abafirisitiya! Undeke mpfane nabo! |



25Page

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Ahejeje gusenga, asunikish: a za nkingi inkomezi ziwe zose. |
| Samusoni | Ndapfana n'abafirisitiya. |
| Uwuvuga | Turi ! Turi! Ngaho! Irabomotse! Mu kanya gato ya ngoro irabomoka abafirisitiya bose bari muri yo barapfa. Abantu bapfanye na Samsoni babaye benshi canke kuruta abo yishe igihe yari akiri muzima. Muri ubwo buryo, Samusoni apfana n'abafirisitiya. |